SBS

# Media Release

5 October 2021




## SBS iripfuza ivyiyumviro vya vy'abayumviriza kugira ifashe kazoza ka Radio SBS hamwe na serivisi z'indimi ikoresha

Nkuko SBS yabigize intego mw'iterambere ryayo ni hamwe no gushika kunyota ivy'ipfuzo vy' Australia y'ubu, SBS yatanguye isubirwamo rya serivisi z'indimi ikoresha biciye ku nsamiriziSBS, uno musi ikaba y'uguruye icese ibiganiro biha akaryo abantu kugira bashikirize ivyiyumviro vyabo kubijanye n'ibizokwisungwa mu guhitamo.

Iryo subirwamwo rya serivisi z'indimi ikoresha n'igikorwa kiba uko imyaka itanu irangiye hisunze igikorwa ca rusansuma, kugira ngo serivisi z'insamirizi SBS zibandanye zerekana  ukwiyongera kw'ishusho ry'ubudasa rya Australia rihinduka k'umuvuduko uri hejuru. Ibizisungwa mu guhitamo  bizokwibangikanya ibitigiri vya rusansuma yo mu 2021- kugira ngo hamenyekane indimi zizosubirwamo canke kwongerezwa bityo bishobore gufasha uburyo izo serivisi zishikirizwa mu kiringo c'imyaka itanu ikurikira.

Ico gikorwa co gusubiramo serivisi z'indimi zikoreshwa gihurikiyemo ibiganiro bica mu majwi hamwe n'ivy'amajwi harimo kw'insamirizi, 'SBS onDemand' ibiganiro bishikirizwa mu buryo bwa 'podcasts' co kimwe n'izindi mbuga hwaniro.

Ico gikorwa c'ibiganiro kizomara indwi zitandatu, kikaba gitanguye uno musi kikazoranngira ku wa 12 Munyonyo 2021 n'igikorwa ngira kamaro cane kuma kominote mu ntumbero yo guterera kubwa serivsi z'insamirizi SBS co kimwe n'ibiganiro vyayo hamwe n'indimi ibishikirizamo, ivyiyumviro vyose bizoshikirizwa bizoshirwa mu ngiro kugira ngo hashirweho ivyitonderwa mu guhitamo

Umuyobozi  wa 'Audio and language Content kuri SBS, David Hua, yavuze,"SBS ifise uburyo bwihariye bwo gushikira no kunywana nabanye Australia bafise imico n'akaranga bitandukanye biciye mu gisata ca serivisi gikoresha indimi zitandukanye ku mbuga hwaniro zitandandukanye. Mu kiringo kirenze imyaka 45, twama tugerageza gusubiramo uburyo dushikirizamo serivisi ngira kamaro zitandukanye muri kominote, uno musi rero tubikoze mu gisata c'insamirizi, ku buhinga ngurukanabumenyi,'podcasts hamwe na 'application' mu ndimi zirenga 60. Ibi vyigwa bizofasha guha umuyoboro SBS mu gihe yimirije kurumanya imyaka 50.

"Akamaro nyamukuru ka serivisi z'indimi zitandukanye SBS ikoresha kagaragariye mu bihe vy'ikiza COVID-19, aho yatanga ibigezweho ngirakamaro co kimwe n'amakuru ajanye n'ivyamagara y'abantu kuri kominote mu ndimi zikoresha. Isubirwamo rya serivisi z'indimi n'akaryo kadasanzwe ko kubandanya twerekana akamaro kama kominote muri AUstralia uno musi.

“Gushira ku gihe kenshi indimi dukoresha biha SBS akaryo ko gushikiriza ibiganiro za kominote hisunzwe imico, n’akaranga bitandukanye, mberer n’ugushikiriza ibiganiro kuri za kominote nshasha zigikeneye vyinshi. Guha akaryo abadukurikirana kugira ngo bashikirize ivyiyumviro n’ikintu kidasanzwe mbere tukanasaba kominote muri Australia yose kudusangiza ivyiyumviro vyazo.”

Igikorwa co kwisungwa mu gutora kizorangira muri Rusama 2022, kugira ngo serivisi z’indimi zizoba zasubiwemo kuri SBS zishirwe mu ngiro imbere yuko umwaka wa 2022 urangira.

Igihe ivyo biyago bizoberako kugira ngo higwe ibizisungwa bizotangura itariki 5 Munyonyo 2021. Kugira ngo ushobore kubona bimwe mu bimaze gutorwa hama unashikirize iciyumviro cawe ja kuri sbs.com.au/consultation.

Umusozo.

Ukeneye ayandi makuru  hamwe no gusaba kubazwa ‘interview’ vugana na:
Kate Warnock | kate.warnock@sbs.com.au | 0419 316 135